**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE
Secrétariat Général de l'Etat

# ITANGAZO RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI N°14 YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 03 NTWARANTE 2021

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 03 Ntwarante 2021, i Bujumbura, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama itegura iyo nama nshikiranganji yarongoye kw'igenekerezo rya 01 Ntwarante 2021, ivyihwejwe navyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa.

Umushikiranganji wa Mbere ahejeje gushikiriza icegeranyo Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, ivyihwejwe ni ibi:

1. **Integuro y'itegeko risubiramwo ingingo ya 24 y'itegeko n°100/031 ryo ku wa 28 Mukakaro 2020 risubiramwo itegeko n°100/54 ryo ku wa 24 Nyakanga 2005 ntunganyabikorwa ry'inama nshikiranganji**, yashikirijwe n'Ibiro vy 'Umushikiranganji wa Mbere**.**

Imbere y'uko inama nshikiranganji ikorana, Umushikiranganji wa mbere arakoranya abashikiranganji bakiga ibizihwezwa n'iyo nama nshikiranganji nk'uko bitegekanijwe n'ingingo y'133 y'ibwirizwa nshingiro ivuga ko « *Umushikiranganji wa Mbere niwe ashinzwe kuremesha no gutunganya ibikorwa vya Reta. Umushikiranganji wa Mbere ni we akoranya inama zo gutegura inama nshikiranganji* ».

Ingingo y'134 y'iryo bwirizwa nshikiranganji nyene nayo ivuga ko « *Amategeko ntunganyabikorwa ya Reta aratomora uwuremesha ibikorwa vya Reta n'uwubikurikiranbira hafi igihe Umushikiranganji wa Mbere afatiriwe*».

Naho ibwirizwa nshingiro ryabitegekanije uko, amategeko ahari nk'itegeko n°100/031 ryo ku wa 28 Mukakaro 2020 risubiramwo itegeko n°100/54 ryo ku

wa 24 Nyakanga 2005 ntunganyabikorwa vy'inama nshikiranganji ntiryategekanije uwukurikiranira hafi ibikorwa vya Reta igihe umushikiranganji wa Mbere afatiriwe.

Iyi nteguro ije gukuraho ico gihengeri. Hisunzwe ingene abashikiranganji bakurikirana, iyi nteguro itegekanya ko mu gihe Umushikiranganji wa Mbere afatiriwe, inama zitegura inama nshikiranganji zokoranywa n'Umushikiranganji ajejwe intwaro yo hagati mu gihugu, bishitse nawe agafatirwa zigakoranywa n'umushikiranganji ajejwe ubutungane.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yasanze ibwirizwa nshingiro rivuga ko itegeko ntunganyabikorwa vya Reta ari ryo ryerekana uwukurikiranira hafi ibikorwa vya Reta iyo umushikiranganji wa Mbere afatiriwe. Iryo naryo ntirirajaho.

Yaciye isaba ko iryo tegeko ryotegurwa vuba rikajaho nk'uko bitegekanya n'ibwirizwa nshingiro. Yaciye isaba ko ingingo z'ibwirizwa nshingiro zokwihwezwa neza mu kuraba ko hakwiye amategeko abiri ni ukuvuga itegeko ntunganyabikorwa rya Reta n'itegeko ntunganyabikorwa ry'inama nshikiranganji, canke ko hojaho itegeko rimwe rudende ririmwo ivyo bice bibiri.

2. **Integuro y'ibwirizxa ryemeza amasezerano yerekeye guteza imbere no gukingira imitahe hagati ya Reta y'Uburundi na Reta ya Gine Ekwatoriyare**
3. **Integuro y'ibwirizwa ryemeza amasezerano y'ubudandaji hagati ya Reta y'Uburundi na Reta ya Gine Ekwatoriyare**
4. **Integuro y'ibwirizwa ryemeza amasezerano yo gufashanya mu gisata co gutwara abantu n'ibintu biciye mu mazi be n'ivy'ibivuko**
5. **Integuro y'ibwirizwa ryemeza amasezerano ajanye no gutarihisha amahera kubafise ibitabu vy'inzira vy'icubahiro canke ivy'akazi hagati ya Reta y'Uburundi na Reta ya Gine Ekwatoriyare**

Izo nteguro uko ari zine zashikirijwe n'Umushikiranganji w'Ubutungane.

Kw'igenekerezo rya 21 Mukakaro 2017, Reta y'Uburundi na Reta ya Gine Ekwatoriyare zarashize umukono ku masezerano ngenderwako mu gufashanya mu vy'ubutunzi, imico kama be n'ivy'ubuhinga. Ayo masezerano afise intumbero yo gukomeza ubucuti no gufashanya hagati y'ivyo bihugu bibiri.

Mu ntumbero yo kunoganza neza ayo masezerano ngenderwako, igihe Umukuru w'Igihugu c'Uburundi yagendera igihugu ca Gine Ekwatoriyare aho hari kuva kw'igenekerezo rya 01 gushika ku rya 07 Munyonyo 2020, amasezerano mu bisata binyuranye yarateweko umukono ni ukuvuga ayerekeye guteza imbere no gukingira imitahe, ayerekeye ubudandanji, ayerekeye gutwara abantu n'ibintu

biciye mu mazi be n'ibivuko, n'ayerekeye kutarihisha amahera ku bafise ibitabu vy'inzira vy'icubahiro n'ivy'akazi.

Ku bijanye **n'amasezerano yo guteza imbere imitahe no kuyikingira**, igihugu kimwe cose ciyemeje kworohereza abanyamitahe b'ikindi gihugu hisunzwe amategeko kimwe kimwe cose gisanzwe kigenderako. Igihugu cose ciyemeza kandi gukingira imitahe yavuye mu kindi gihugu.

Ku vyerekeye **amasezerano mu vy'ubudandaji**, ivyo bihugu vyiyemeza gufata ingingo zikenewe zose mu guteza imbere ihanahana ry'ibidandazwa, harimwo no kworosha itunganywa ry'ihayanishwa-gurishwa ry'ibidandazwa, be no gushinga amashirahamwe y'ubudandaji hisunzwe amategeko agenga ivyo bihugu.

Ku biraba **amasezerano mu gufashanya mu vyo gutwara abantu n'ibintu hakoreshejwe amazi, be n'ibijanye n'ibivuko**, Uburundi na Gine Equatoriyare vyiyemeza gukorana mu gukoresha ibiyaga birimwo umutekano, bikingiwe, amazi adatosekaye, kandi ukwo gutwara abantu n'ibintu bikubahiriza ibidukikije. Biriyemeza kandi kuzoza birahana amakuru ajanye n'ico gisata.

Kuvyerekeye **amasezerano yo kutarihisha amahera ku bafise ibitabu vy'inzira vy'ivyubahiro n'ivy'akazi,** abenegihugu bafise mwen'ivyo bitabu vy'inzira ntaco bazoriha mu kwinjira, mu gusohoka canke bagumayo igihe gito.
Kubera ayo masezerano, ibi bihugu bibiri bizoba vyorohereje uruja n'uruza rw'abenegihugu bavyo muri ivyo bihugu nyene, no gushobora kwinjira mu bindi bihugu vya Afrika.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza izo nteguro uko ari zine, yarazemeje, ariko hakaba hari tumwe tumwe tuzobanza gutosorwa.
Yaciye isaba kandi ko n'integuro y'amasezerano yo guhanahana abakozi mu bijanye n'uburimyi yotegurwa vuba nayo nyene ikemezwa.
Inama nshikiranganji yaboneyeho akaryo ko gusaba ibisata vyose bibijejwe gutunganya neza itangwa n'ikoreshwa ry'igitabu c'inzira c'icubahiro mu ntumbero yo kugabanya ikoreshwa nabi ryaco.

6. **Integuro y'ibwirizwa ritunganya gushasha igisata c'amazi meza n'isuku,** yashikirijwe n'Umushikiranganji w'amazi, amasoko ntanganguvu n'ubutare n'agataka

Igisata c'amazi meza n'isuku kirahambaye ku buzima bw'umuntu. Iyo gikurikiranywe neza, biratuma abantu babaho neza n'iterambere rigakurikira. Birakenewe rero ko kigira amategeko atomoye akigenga.

Uburundi burafise ibitabu vyinshi ntunganyamigambi mu bijanye n'amazi meza n'isuku ariko harabuze amategeko nyezina agenga ico gisata.

Uko ubu ibintu vyifashe muri ico gisata mu bijanye n'amegeko ni uku :

- Hari ingingo nyishi zisanzaye mu mategeko anyuranye
- Ingingo zigenga igisata c'isuku ntizifise inguvu zikwiye
- Amategeko amw'amwe yarataye igihe kuko ni ayo ku ntwaro y'igikoloni
- Igisata c'amazi meza n'isuku caruguruḷiwe abikorera ivyabo ariko kirakeneye gutunganywa kugirango herekanwe neza ingene uwikorera ivyiwe acinjiramwo n'ingene akivamwo, no kwerekana uturusho twotuma abanyamitahe bacirukira, n'ibindi.

Ni muri iyo ntumbero iyi nteguro y'ibwirizwa yashikirijwe :

- Ije gushiraho ibwirizwa rigenga igisata c'amazi meza n'isuku aho kugira ingingo nyinshi ziri mu mabwirizwa n'amategeko anyuranye
- Ije gushiraho amategeko agenga igisata c'isuku ikaba izibiye igihengeri cari kihari mu bijanye n'amategeko
- Irerekana ingene abakorera muri ico gisata bakurikiranirwa hafi
- Irashiraho ikigo c'igihugu kijejwe amazi n'isuku mu gisagara iruhande y'ikijejwe ico gikorwa nyene mu gihugu hagati
- Irategekanya ishingwa ry'isuzumiro ry'icitegererezo mu bijanye n'amazi meza n'isuku.

Inama nshikiranganji iriko irahanahana ivyiyumviro kuri iyi nteguro, mu vyo yashikirije harimwo ibi :

- Igisata c'isuku ni igisata gihuriramwo ubushikiranganji bwinshi kandi bumwe bwose bukaba bufise ico bujejwe
- Igisata c'amazi meza nticofatana n'ic'isuku
- Birakenewe ko haba amasezerano atomoye hagati y'ishirahamwe Regideso n'amashirahamwe canke abantu baba bashoboye kwiyungunganya bagakwega amazi bakoresheje uburyo bwabo hanyuma Regideso igaca izana amakonteri kurihisha, kugirango ayo mashirahamwe canke abo bantu bagarure umutahe bakoresheje
- Harakenewe urwego rwokurikirana neza ibikorwa bijanye n'isuku kuko ari igisata gihuriramwo benshi.

Inama nshikiranganji yaciye ishiraho umugwi uzosubira kwihweza neza iyo nteguro hisunzwe ivyashikirijwe ukazoba ukurikiraniririrwa hafi n'ubushikiranganji bwa mbere. Uwo mugwi uzosuzuma kandi ko amabwirizwa iyi nteguro yaje ikomokako, nk'igitabu c'amategeko agenga amazi, atoba akeneye gusubirwamwo nayo nyene. Uzoraba kandi ko iyi nteguro ikwiye kuba ibwirizwa canke itegeko.

Iyi nteguro izoheza igarukanwe mu nama nshikiranganji mu kiringo c'ukwezi kumwe.

7. **Urwandiko rujanye n'icegeranyo c'umugwi wize ukongera ukemeza uko amatungo y'ishirahamwe EPB angana n'ico aciye, be n'umutahe wa Reta mw'ishirahamwe Global Port Services Burundi**, rwashikirijwe n'Umushikiranganji w'ikigega ca Reta na gutunganya imigambi y'iterambere

   Mu mwaka w'1967, Reta yahaye ishirahamwe EPB ikivuko ca Bujumbura ngo ribe aririyo rigikoresha mu kiringo c'imyaka mirongo itatu (30), ico kiringo cahera mu mwaka w'1997. Mu mwaka w'1988, ico kivuko gihejeje gusanurwa, Reta na EPB baciye bashiraho ayandi masezerano mu mwaka w'1992 ku kiringo c'imyaka cumi, yahera mu 2002.
   Ico kiringo giheze, Ishirahamwe EPB ryarongewe ikindi kiringo c'imyaka cumi cahera mu 2012.

   Muri Kigarama 2012, Reta n'ishirahamwe Global Port Services Burundi bateye umukono ku masezerano ajanye no gukoresha ico kivuko ca Bujumbura ku kiringo c'imyaka 30.

   Muri ayo masezerano, Reta yaca yihutira guharura umutahe yashizemwo,ariko mu kurindira iryo shirahamwe ryiyemeje kuriha Reta kuvyo riyikoteye amahera angana na cumi na kimwe n'ibice bitanu kw'ijana (11,5%) y'amahera ryinjije kumwaka ku mwaka.
   Ariko ivyo iryo shirahamwe rikoteye Reta ntibizwi uko bingana, co kimwe n'umutahe wa Reta, kuko icegeranyo c'umuhinga yagize ivyigwa mu 2019 nticigeze cemezwa.

   Birakenewe rero ko abo vyega bogira ico bavuze kuri ico cigwa cakozwe cerekana ivyo EPB yari ifise kugeza italiki 24 Kigarama 2012, kirimwo kandi n'urugero rw'umutahe wa Reta mw'ishirahamwe Global Port Services Burundi.

   Mu gihe inama nshikiranganji yariko yihweza urwo rwandiko, yaramenyeshejwe ko ishirahamwe ryahora ryitwa EPB ritigeze rifutwa n'amategeko kandi ko hari amatungo ya Reta akiri mu minwe yaryo, ndetse ko rigifise n'amakonte mu ma banki. Haracariho n'amatati aryerekeye.

   Inama nshikiranganji yaciye isaba Umushikiranganji w'Ikigega ca Reta, uw'ubudandaji n'uw'ubutungane kurabira hamwe ivyo bishasha vyashikirijwe kugirango bazokore icegeranyo gitomoye neza bazoshikiriza inama nshikiranganji mu kiringo c'ukwezi kumwe.

Basabwe kandi gutandukanya neza ibiharurwa nk'umutahe wa Reta mw'Ishirahwamwe Global Port Burundi be n'ivyo rikoteye Reta.
Ku bijanye n'amatati araba EPB, inama nshikiranganji yasavye ko yova mu nzira ningoga, ko kandi ibiboneka ko ari amatungo ya Reta bikiri mu minwe ya EPB, vyosubizwa Reta mu maguru masha.

Inama nshikiranganji yasubiye gusaba ko mu masezerano yose Reta yagiranye n'abigenga aho biboneka ko inyungu za Reta zitakingiwe bikwiye canke aho igiramwo uruhombo, ayo masezerano yosubirwamwo.

8. **Urwandiko rwerekeye ingene ikigo ISABU cohindurwamwo ihinguriro ry'imbuto zirobanuye z'ibiterwa n'iz'ibitungwa** rwashikirijwe n'umushikiranganji w'ibidukikije, uburimyi n'ubworozi

Mu ntumbero yo kugwiza umwimbu w'ibiterwa, uw'ibitungwa n'uw'amafi, Reta y'Uburndi yarakoze vyinshi mu gushigikira abarimyi n'aborozi mu migambi inyuranye.

Ariko ishirwa mu ngiro ry'iyo migambi ryahuye n'uko abarimyi bataronka imbuto nziza zirobanuye n'ibitungwa vyiza vyiza.

Iyo ngorane nayo iva kuri ibi :
- Ikigo ISABU gifise ingorane zifatiye ku buryo buke kugirango kironke ibikoresho nyavyo n'abakozi b'abahinga bakwiye
- Abagwizambuto n'ubwororero ntibafise uburyo n'ubuhinga bwo kwitunganya nk'uko vyategerezwa.
- Abarimyi n'aborozi bafise uburyo buke bituma badashobora kugura imbuto zirobanuye

Uru rwandiko rushikiriza ivyokorwa kugirango ikigo ISABU kibe ihinguriro ry'imbuto zirobanuye n'ibitungwa nyavyo, kugirango intambwe igihugu gishitseko ibandanye itera imbere, umwimbu mu burimyi n'ubworozi ubandanye wiyongera, haboneke ivyo gufungura mu gihugu, guhingura no gushora hanze y'igihugu.

Kugirango ivyo bishoboke, ikigo ISABU gikenye uburyo bungana na miliyaridi munani na miliyoni amajana ane (8,4milliards) z'amahera y'amarundi mu mwaka w'2021, akazogenda aragabanuka gushika ku miliyaridi zine n'igice zirenga gatoyi mu mwaka w'2023. Aho umwimbu uzoca ugwizwa na gatatu.
Inama nshikiranganji yarashimwe ibiri muri urwo rwandiko ruri mu ntumbero y'uko Ikigo ISABU coza guteza imbere igihugu ku buryo bugaragara mu bijanye n'uburimyi n'ubworozi.

Kubera uburyo ico kigo ISABU gikenye ari bwinshi, inama nshikiranganji yasavye ko boshira ku rutonde ibikenewe, hanyuma ivyihuta bikaza imbere y'ibindi.
Inama nshikiranganji yasavye kandi ko uburyo bwotangwa bwogira koko akarusho buzanye, cane cane mu gukurikirana ko budakoreshwa mu bikorwa vya minsi yose vya ISABU.

9. **Urwandiko rujanye n'urudandazwa rw'umwimbu w'ibigori wo mw'irima rya mbere (Saison A) ry'uwu mwaka w'2021,** rwashikirijwe n'Umushikiranganji w'ubudandaji, gutwara abantu n'ibintu, amahinguriro n'ingenzi.

Kubera utwigoro Reta yagize mu gutanga umwavu ku giciro kitavuna, umwimbu w'ibigori wiyongereye gatatu muri iri rima rya mbere ry'uwu mwaka.
Ibisata bibijewe vyaciye bifata iya mbere mu kwiyumvira ivyokorwa kugirango umwimbu ntusesagurwe kandi umurimyi aharonkere akarusho.

Ni mu ntumbero yo gutera intege abarimyi igiciro c'ikilo c'intete z'ibigori zumye caciye gishingwa ku mafaranga amajana atandatu na mirongo umunani (680Fbu).

Ku bijanye no kwegeranya uwo mwimbu, urwo rwandiko rwerekana ko mu ntango hokwegeranywa amatoni ibihumbi amajana abiri.

Mu guhanahana ivyiyumviro kuri urwo rwandiko, Inama nshikiranganji yarashimye ko utwigoro twa Reta mu ntumbero yo kugwiza umwimbu dutanguye kuzana akarusho.

Mu vyo yashikirije, inama nshikiranganji yasavye ibi bikurikira :

- Guhimiriza abarimyi kugirango bimbure bongere bagurishe ibigori vyumye neza
- Gukurikirana neza abikorera ivyabo biyemeje kwegeranya ivyo bigori ko bariha abenegihugu kandi ku giciro cashinzwe na Reta ;
- Reta yokworohereza abikorera ivyabo bipfuza kugura ivyo bigori mu kubishinga ku ngurane basaba mu ma banki
- Gukurikirana neza abigenga bazegeraniriza ibigori mu bigega vyabo kugirango ntibazoce bashira ibiciro hejuru cane
- Reta yokwiyubakira ibigega vyayo vyo kubika umwimbu igashiramwo n'ubuhinga butuma uwo mwimbu utabungwa canke ngo ubore;
- Ubushikiranganji bujejwe ikigega ca Reta bwokora ibishoboka kugirango abarimyi baze bararonka ingurane ntonto zibafasha kurima kijambere
- Kwitegura kwakira umwimbu ku bindi biterwa nk'umuceri canke ibiraya kuko biboneka ko nawo nyene uzoba mwinshi

10.**Utuntu n’utundi**

Nyenicubahiro Umukuru w’Igihugu yarasavye ko uwo wese yokwipfuza kuja kwifatanya n’abandi ku munsi mpuzamakungu wahariwe umukenyezi yoronka ubwo burenganzira, ariko uwutagiye nawe akaguma ku mirimo kuko si umunsi w’akaruhuko.
Yaciye yipfuriza umunsi mukuru mwiza w’abakenyenzi Abarundi bose, aca amenyesha ko azotera iteka ibirori vy’uwo munsi bizobera i Gitega ku rwego rw’igihugu.

Bigirwe i Bujumbura, igenekerezo rya 04 Ntwarante 2021

Umunyabanga Mukuru wa Reta akaba n’umuvugizi wayoe

Prosper NTAHORWAMIYE